Kirundi - Topic 3
Signing a lease and condition report

Kirundi - Igice ca 3
Gushira umukono ku masezerano y'inzu hamwe n'ingene wasanze inzu imeze

Hari ibintu usabwa kumenya imbere yo gushira umukono ku masezerano y'inzu muri New South Wales.

Amasezerano y'inzu bayita kandi ugukotesha kandi ni impapuro zemewe n'amategeko.

Haba harimwo ivyo uwuba mu nzu canke nyene inzu ashobora gukora canke atokora.

Harimwo kandi igitigiri c'amahera utegerezwa kuriha, uko uzoyariha n'igihe uzoyarihirako.

Usabwa gusoma amasezerano imbere y'uko uyashirako umukono.

Ni vyiza ko utegera kandi wemera ivyo uriko arashiririrako umukono.

Mugihe hari ivyo udategera, baza ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu.

Canke usabe umuntu wizeye agufashe.

Kenshi na kenshi igihe umara ukotesheje inzu muracumvikanako kandi mukacemeranako imbere y'uko ushirako umukono ku masezerano y'inzu.

Igihe umara mu nzu gishobora kuba gito canke kirekire nkuko mwavyumvikanyeko, ariko mu bisanzwe ibiringo vyo gukotesha bimara amezi 6 canke 12.

Gutegura amasezerano nturinda kubirihira.

Imbere y'uko ushira umukono ku masezerano y'inzu, ishirahamwe ritegerezwa kuguha urutonde ruriko ivyo umuntu mushasha akotesha inzu akenera(New Tenant Checklist)

Urwo rutonde rurashobora kugufasha kwiyumvira ku bintu imbere y'uko ushira umukono ku masezerano.

Ishirahamwe canke nyene inzu atagerezwa kukubwira niba hariho ikibazo kijanye n'inzu, nk'akarorero imyuzure canke imiriro y'amashamaba mu myaka 5 iheze canke ibintu vyogeramira ubuzima hamwe n'umutekano.

Umaze gutegera uburenganzira bwawe hamwe n'ivyo utegerezwa, uba witeguye gushira umukono ku masezerano y'inzu hagati yawe na nyene inzu canke ishirahamwe rikotesha amazu.

Wibuke, ishirahamwe rikotesha amazu bategerezwa kuguha ikopi y'ayo masezerano washizeko umukono.

Bategerezwa kuguha kandi kopi 2 zo kuzuzako uko wasanze inzu imeze.

Ni ukuvyitondera mu kuzuza izo mpapuro

Raba hirya no hino ibintu, uvyihweze neza mu nzu. Andika ivyo wasanze vyarononekaye, imicafu itavako canke ibintu bidakora.

Utuntu twose ubona ni vyiza ko utwandika.

Ni vyiza ko ufata amafoto y'inzu canke uyifata video imbere y'uko wimukira mu nzu.

Umaze kuzuza uko wasanze inzu imeze, utegerezwa guca urungikira ishirahamwe rikotesha amazu ikopi imwe bitarenze iminsi 7.

Nyene inzu hamwe n'ishirahamwe bategerezwa gushira umukono ku masezerano y'inzu kandi mwese mukagumana ikopi.

Usanze hari ibintu nyamukuru bidakora mu nzu, nk'akarorero iziko, urashobora kumenyesha ishirahamwe rikotesha amazu kugira ngo babikore.

Bakubwiye ko ikintu gikora, hanyuma wimukiramwo ugasanga ntigikora, urashobora gusaba ishirahamwe rikotesha amazu bakagikora.

Iyo uvuye mu nzu, ishirahamwe rikotesha amazu riraraba inzu ko hoba hari ivyononekaye, bakaraba kandi ko ifise isuku.

Impapuro wujuje ugishika z'ivyononekaye zizobabera icabona mugihe habaye amatati ku bijanye n'uwutegerezwa kuriha ivyononekaye canke gukora isuku y'inzu imbere y'uko uva mu nzu.

Amashirahamwe afasha nk'akarorero amashirahamwe afasha abimukira barashobora kugufasha mubijanye n'ingorane zijanye no gukotesha amazu.

Canke urashobora kuvugana n'abajejwe gutanga impanuro zijanye no gukotesha amazu.

Ukaba ukeneye izindi nsiguro ku burenganzira n'ivyo utegerezwa, reba ku murongo wa interenete wa Fair Trading kuri www.fairtrading.nsw.gov.au canke uhamagare kuri 13 32 20.

Ukaba ukeneye umusiguzi, hamagara kuri 13 14 50.